Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°807 15 Nzero 2024

# Icibutso ca Yubile y'imyaka 50 y'ubutumwa bw'imikangara y'Imana mu Burundi caraye gihezagiwe


Foto: Mélance Ndayikeze

Kuri Paruwase yitiriwe Mikaheli Mweranda i Bujumbu, mu buryo bw'isengero nkuru y'iyo paruwase, ni ho hubatswe icibutso ca yubile y'imyaka 50 iheze ubutumwa bwa Papa bw'imikangara y'Imana butanguye mu Burundi.

Abepiskopi Katolika baragijwe ubusho bw'Imana mu madiyoseze yose y'Uburundi niho bari bari, bahagatiye Umwepiskopi, intumwa ya Papa mu Burundi hamwe na

Soma ku Rup. 4

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Mama Roberta TREMARELLi yaragendeye Uburundi

Ku wa 4 Nzero 2024 mu masaha y'umugoroba, Uburundi bwaragendewe n'umushitsi adasanzwe ari we mama Roberta TREMARELLI, asanzwe ari Umunyamabanga mukuru w'igikorwa ca Papa kijejwe ubutumwa bw'imikangara y'Imana kw'isi yose.

Mama Roberta TREMARELLI, akaba yaje mu Burundi mu ntumbero yo kwifatanya n'imikangara y'Imana hamwe na Ekleziya y'Uburundi

Soma ku Rup. 5


Foto: Chanel HARINGANJI

## Ibirimwo

o « Umwana wese yabatijwe ni umutumwa wa Yezu Kristu mu Burundi no kw'isi yose »....3
o Ubwenge buhanitse bw'ubuhinga bwa none n'amahoro ....6
o « Twubake umushinge w'imbonakazoza y'Uburundi 2040 na 2060 duhereye ku guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu »....8
o Uruhara rw'intwaro mu guteza imbere ugufashanya mu benegihugu....10

# Idominika ya Gatatu y'Ijambo ry'Imana: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere : Yonasi: 3, 1-5 .10

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Yonasi: (*Abantu b'i Niniva baciye bihanura*)

Muri irya minsi, Umukama ashikiriza ijambo Yonasi ubugira kabiri avuga ati: «Haguruka ugende i Niniva, muri ca gisagara kinini, usemerere muri co amajambo ndakubwiye ». Hanyuma Yonasi arahaguruka, agenda i Niniva nk'uko Umukama abivuze. Niniva na co cari igisagara kinini cane imbere y'Imana. Umuntu yakigenda imisi itatu. Yonasi rero yinjira mu gisagara amara umusi agenda. Yasemerera avuga ati: «Hasigaye imisi mirongo ine, Niniva kigasenyurwa.»

Maze abantu b'i Niniva baremera Imana. Batangaza ukwisonzesha, bambara amagunira guhera ku bakuru muri bo gushika ku bato muri bo.
Imana irabona ibikorwa vyabo, ibona ko bahindukiye bakava mu nzira yabo mbi; Imana iraheza irisubirako, iheba ikibi yari yaraganye kubagirira, ntiyakigira.

## Igisomwa ca kabiri : Abanyakorenti: 7, 28-31

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti: 7, 28-31

(*Ivyo kw'isi bihinda bihera, ntitwirengagize Umukama*)

Ncuti zanje,
Ng'ibi ivyo ndababwira: igihe ni kigufi.
Hasigaye rero ko abafise abagore bomera nk'abatabafise,
ko abari mu marira bomera nk'abatari muri yo,
ko abanezerewe bomera nk'abatanezerewe,
ko abadandaza bomera nk'abantu ata co bafise,
ko abakoresha ivy'isi bomera nk'abatigera babikoresha.
Erega ivyo kw'isi bihinda bishira.


# Inkuru nziza :

**Alleluya, Alleluya.**
-Ubwami bw'Imana buri hafi; igarure kandi mwemere Inkuru nziza
**Alleluya**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Mariko : 1,14– 20

(*Igarure kandi mwemere inkuru nziza*)

Yohani Batista amaze gufatwa, Yezu aja mu Bugalile yigisha Inkuru nziza y'Imana, avuga ati: «Igihe cashitse kandi Ubwami bw'Imana buri hafi. Nimwisubireko kandi mwemere Inkuru nziza.»



Yezu rero aca ku nkengera y'ikiyaga c'Ubugalile, abona Simoni na mwenewabo Andreya bariko baratera insenga mu kiyaga. Nkako bari abarovyi. Yezu rero arababwira ati: «Nimunkurikire, nzobagira abarovyi b'abantu.» Ubwo nyene, baca basiga aho insenga, baramukurikira.
Yigiye imbere gatoyi, abona Yakobo mwene Zebede na mwenewabo Yohani. Na bo nyene bari mu bwato bariko barasana insenga. Ubwo nyene arabahamagara, na bo baca basiga mu bwato se wabo Zebede n'abamukorera, baramukurikira.

# « Umwana wese yabatijwe ni umutumwa wa Yezu Kristu mu Burundi no kw'isi yose »

Kuri uyu w'Imana igenekerezo rya 07 Nzero 2024 ni ho muri Ekleziya yo mu Burundi yurura icese umwaka wa yubile y'imyaka 50 ubutumwa bw'imikangara y'Imana bumaze butanguye mu Burundi.

Icivugo c'iyo Yubile kigira kiti : « Umwana wese yabatijwe ni umutumwa wa Yezu Kristu mu Burundi no kw'isi yose ».

Inkuka ya misa ikaba yahererejwe ku Musozi wa Siyoni Gikungu, n'abungere b'Ekleziya y'i Buburundi, bahagatiwe n'isinzi ry'abasaserdoti, abihebeyimana, abakristu benshi. Imikangara y'Imana yari yaje iserukiye iyindi yo mu madiyoseze yose y'i Burundi yarangwa n'amadarapo n'utujabitugu vyerekana diyoseze baje baserukiye.

Ni muri iyo nkuka ya misa, Inama y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi yashikiriza ijambo rigenewe abakristu kuri uwo musi mukuru w'ukwugurura uwo mwaka wa yubile y'imyaka.

Ibik. urup.3

# « Umwana wese yabatijwe ni umutumwa wa Yezu Kristu mu Burundi no kw'isi yose »

(Bitangurira ku rup.2

Muri iryo jambo, abo bepi-skopi barateye akamo abana b'Imikangara y'Imana, Indemesha z'imikangara n'abavyeyi b'iyo mikangara y'Imana ngo babandanye bashigikira ubwo butumwa mu kwitaba ibikorwa bitegekanijwe muri uyu mwaka wa yubile.

Bati :

Basaserdoti mwese, Bihebeyimana mwese, mikangara y'Imana, Ndemeshamikangara, Namwe bavyeyi, Bavukanyi mwese dusangiye ukwemera,

Twebwe Abungerebanyu, turabaramukije amahoro ya Yezu Kristu, Umumisiyonari wa Mana Data, tubifuriza n'umwaka mwiza w'2024. Muze muwugiremwo umwete n'ubwira bwo kumenyesha inkuru nziza ya Yezu Kristu.

Nk'uko twari twabibamenyesheje ku munsi mukuru wa Epifaniya mu mwaka w'2021, twarinjiye mu mwiteguro w'ukwigina imyaka 50 ubutumwa bw'abana twita « Imikangara y'Imana » bumaze burangurwa mu gihugu cacu. Uyu munsi rero twazanywe no kubinjiza icese mu mwaka wa Yubile y'imyaka 50 iyo Mikangara y'Imana imaze irangura ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu.

Iyi Yubile y'imyaka 50 y'ubutumwa bw'imikangara y'Imana tuyuguruye duherutse gusozera Yubile y'imyaka 125 Inkuru nziza ya Yezu Kristu itanguye kumenyshwa mu Burundi. Ekleziya yacu iri mu gahimbare rero ko kwigina ivyiza bikomoka ku Mana Dawe wa twese yaturungikiye Umwana wayo Yezu Kristu, nawe akamenyesha abato n'abakuze Inkuru nziza y'Urukiza.



Iyo Nkuru nziza yadushikiriye ku bwa Mutima Mweranda yamurikiye abamisiyonari ba mbere, bakarenga ibihugu n'ibindi bayimenyesha gushika bashike n'aha iwacu.

Nk'uko ubutumwa bw'Inkuru nziza muri rusangi bwagiye burahererekanywa kuva ku batumwa ba mbere, niko n'ubutumwa bw'imikangara y'Imana bwadushikiriye, none imyaka 50 igira yuzure tubumenyesheje.

Nkako duhava tuvuza inzamba y'ukurarika abana na bene umuryango bose, ngo binjire mu mwaka wa Yubile ; mu mwaka uza naho, nk'aya mango, tuzotere impundu yo kuyisozera. Imana nishimagizwe kandi ihabwe icubahiro ku vyiza vyinshi Imikangara y'Imana yaranguye muri iyo mwyaka 50 y'ubutumwa.

Mu guhimbaza iyo Yubile, tuzoshimira Nyenicubahiro Musenyeri Karori de Forbin JANSON yakundiye Imana ikamwikorako ngo atanguze ubutumwa bw'Imikangara y'Imana mu gihugu c'Ubufaransa, mu mwaka w'1843. Uyo Mwepiskopi yatewe ikigongwe n'abana bo mu Bushinwa batabwa kw'ibarabara n'abavyeyi babo, canke bakabagurisha udufaranga dukeyi, bivuye ku bukene n'inzara, kugira baronke ico barya.

Ni ko guca agira ico ciyumviro co gutanguza igikorwa co guhimiriza abana ugusenga n'ukwegeranya uburwo bwo gufasha abandi bana bagowe. Yashaka kandi gukiza abo bana ayo marushwa, mu kubaha indero rukristu, gutyo bashobore kubatizwa no kwitegurira kazoza, mbere bishobotse, bazovemwo abasaserdoti n'abandi bihebeyimana.

Ico gikorwa kimaze gutangurira mu Bufransa, cahavuye cemezwa na Papa Piyo wa 11 italike 3 Rusama 1922, ko ari igikorwa c'Ekleziya yose. Kuva ico gihe, hari imiliyoni n'imiliyoni z'abana batarenza imyaka 14 bakwiragiye mu bihugu birenga vyo kw'isi, bamenyesha Inkuru nziza kw'isi yose abo bana barahura, bagasabira abandi bana bagowe kw'isi yose, bakongera bakabegeraniriza agafashanyo kugira ngo baronke utwo bafungura bisunga rya jambo ry'Umukama Yezu ngo : « Nari nshonje, murangaburira ».

Mu guhimbaza iyo Yubile, tuzoshimira kandi Nyenicubahiro Musenyeri Mikaheli NTUYAHAGA, Umwepiskopi wa mbere w'umurundi, yatanguje ubwo butumwa bw'Imikangara y'Imana mu gihugu cacu.

Iciyumviro co gutanguza ubwo butumwa yagikuye mu gihugu c'Ubudagi aho yari yagiye mu rugendo rw'ubutumwa, akibonera abana b'Imikangara y'Imana ku kivi, akanyurwa no kubona ivyiza barangura muri ico gihugu.

Yaciye afata ingingo yo gushikana ubwo butumwa muri Diyoseze yiwe ya Bujumbura, aca abutanguza icese kw'igenekerezo rya 6 Nzero 1975, ku munsi mukuru wa Epifaniya.

None ubu bwarakwiye buraranguka mu maparuwase yose atatse amadiyoseze y'Ekleziya y'i Burundi.

Ibik. urup.7

# Icibutso ca Yubile y'imyaka 50 y'ubutumwa bw'imikangara y'Imana mu Burundi caraye gihezagiwe

*(Bitangurira ku rup.1*

Mama Roberta Tremarelli umunyamabanga mukuru w'ubutumwa bwa Papa bw'imikangara y'Imana i Vatikano.

Ihezagirwa ry'ico cibutso ryajaniranye n'ihezagirwa ry'icibutso c'Imyaka ijana iheze abasaserdoti ba mbere mu Burundi batiriwe iryo banga. Naco nyene kiri impande y'ico kindi.

**Ibimenyetso biboneka ku cibutso c'imyaka 50 y'ubutumwa bw'imikangara y'Imana**

Umugirwa wo guhezagira ivyo vyibutso uko ari bibiri, warongowe na Nyenicubahiro Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa. Ku cibutso ca Yubile y'imyaka 50 y'ubutumwa bw'imikangara y'Imana mu Burundi, hashushanijeko:

* Amasanamu y'abitanze bagatanguza ibikorwa vya Papa i Vatikano hamwe n'abagiye barabisamiriza ngo bikwire kw'isi yose;

* Ikimenyetso c'umusalaba w'i Misugi uhangamye mw'isengero y'i Muyaga;

* Urugori rukikije umusalaba ruriko amabara atanu yerekana imigabane itanu iri kw'isi;

* Amatara yaka atwibutsa ko Yezu ariwe muco w'isi utumurikira, natwe tukawushira abandi mu kwemera.

Ku cibutso ca kabiri naho, dusangako Abasaserdti ba mbere batiwe ku wa 19 Kigarama 1925, arivyo vyamwa vy'Inkuru Nziza ngaha i Burundi.

Hariko amasanamu n'amazina y'abasaserdoti babiri ba mbere Patiri Patirisi Ntidendereza na Patiri Emile Ngendagende hamwe n'abandi basasesrdoti bababakurikiye hamwe na Nyenicubahiro Musenyeri Julien Golgi yabatiye muri iryo banga kw'izina ry'Umukama.




*Icibutso ca Yubile y'imyaka 100 iheze abasaserdoti ba mbere bahamagariwe iryo banga*

**Abakristu bosigarana iki muri ivyo vyibutso?**

Nk'uko Musenyeri Bonaventure Nahimana, Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Gitega ahagarariye Papa muri Diyoseze ya Rutana akaba n'umukuru w'inama y'Abepiskopi katolika b'i Burundi abivuga, ngo ivyo vyibutso bizotuma abakristu bose bazohaca bibuka ibikorwa vyaranguwe kuva Ekleziya imaze gutangu mu Burundi. «Ivyo vyibutso ni ibimenyetso vy'ivyamwa vy'ubutumwa bw'Ekleziya».

Abakristu ngo bashobora kuza barahahurira bagasenga basabira ubwo butumwa bongera bibuka igikorwa co gukwiza hose Ijambo ry'Imana ngaha mu Burundi, ingene cagiye kirakurikirana bongere bibuke n'intambwe y'uwu musi imyaka 50 iheze hatanguye ubutumwa bw'imikangara mu Burundi, n'imyaka ijana iheze turonse abasaserdoti ba mbere. Urwaruka ruzoza hanyuma yacu narwo nyene ivyo vyibutso bizorubera icirwa n'ikimenyetso bitume bagira umwete muri ubwo butumwa bakabure n'umutima wo kwihebera Imana.

Nk'uko Musenyeri Bonaventure Nahimana abandanya abivuga, ngo ivyo vyibutso vyubatswe kuri paruwase Mikaheli Mweranda i Bujumbura kuko Umwepiskopi Mikaheli Ntuyahaga yatanguje ubwo butumwa ngaha mu Burundi ariho yari afise icicaro kandi n'ubwo butumwa bw'imikangara y'Imana niho hambere bwatanguriye.

Tubamenyeshe ko ayo mayubile abiri yose yaraye yuguruwe azohimbazwa mu mwaka uza wa 2025




*Icibutso ca Yubile y'imyaka 50 y'ubutumwa bw'imikangara y'Imana mu Burundi*

***Mélance NDAYIKEZE***

# Mama Roberta TREMARELLi, yaragendeye Uburundi

*(Bitangurira ku rup.1*

mw'iyugururwa ry'umwaka wa yubile y'imyaka 50 irangiye ubwo butumwa bw'imikangara y'Imana butanguye mu Burundi.

Umuzo wiwe rero hano mu Burundi, watumye agendera ibibanza bimwe bimwe bitandukanye, aho ku wa 5 Nzero, yazindutse yerekeza muri diyoseze Nkuru ya Gitega, ari kumwe na patiri Juvenal NZOHABONAYO ajejwe ubutumwa bw'ibikorwa vya Papa mu Burundi, akaba aherutse gukorera mu ngata patiri Salvator NGENDABANYIKWA yahora aramutswa ubwo butumwa.

Bashitse, haciye hatangura igisabisho c'Inkuka y'Imisa caherejwe isaha zitatu n'iminota mirongo ine z'igitondo muri cathedrale yitiriwe Kristu Mwami i Gitega, irongowe na Musenyeri Bonavantura NAHIMANA arongoye diyoseze Nkuru ya Gitega, arikumwe na Musenyeri Yohakimu NTAHONDEREYE, arongoye diyoseze ya Muyinga akaba ari we ajejwe ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza mu nama y'Abepiskopi Gatorika b'i Burundi.

Muri iyo Nkuka y'Imisa, Umwungere yarahamagariye urwaruka rwari aho gukunda Yezu Kristu no kumukundira kugira bamubere abatumwa nyabo kanatsinda uwabatijwe wese ni umutumwa.

Yaboneyeho guca yugurura igice ca 2 c'umwaka w'amashure, aho ni mu gihe muri iyo Nkuka y'Imisa hari hakoraniye urwaruka rw'imikangara y'Imana hamwe n'urwaruka ruhurikiye mu mashure y'intango yegukira Ekleziya Gatorika muri diyoseze nkuru ya Gitega.

Iyo Nkuka y'Imisa irangiye, Mama Roberta TREMARELLI n'abo bungere babiri, baciye batemberera ibigo bimwe bimwe bisanzwe bifashwa n'uburyo buva mu kigega rusangi c'Imikangara y'Imana.

*Ivyo bigo navyo bikaba ari :*

- Ikigo c'irerero ry'impfuvyi kiri i Musinzira cegukira Ababikira Bene Bernadetta,

- Ikigo **Keza k'Imama** gihurikiyemwo abafise indwara ziterwa no gufungura nabi kiri ku Mushasha, kikaba cegukira ababikira b'aba VNR;

- Ikigo c'abana bagendana ubumuga bwo kutumva kandi batavuga bagera kuri 260 kiri ku Mushasha;

- Ikigo c'abana bagendana ubumuga bwo kutabona barenga 100 kiri ku Mushasha.

Barangije, Mama Roberta TREMARELLI, yaciye yerekeza muri diyoseze Ngozi, aho yasanganiwe n'Umwungere ari kumwe n'abandi basaserdoti, tutibagiye imikagara y'Imana yo muri iyo diyoseze.




Ari kumwe n'uwo Mwungere kumwe n'abo basaserdoti, Mama Roberta TREMARELLI yaciye yerekeza muri paruwase Mivo, imwe muma paruwase agize diyoseze Ngozi, aho yaciye agendera irerero ry'impfuvyi ry'utwana duto, risanzwe ryegukira ababikira Bene Bernadetta.

Avuye ngaho, yaciye abandaniriza mu gisagara ca Ngozi mu kigo **Giriteka** gihurikiyemwo abana bahoze mw'ibarabara barenga 200.

Aho yagendeye hose, Mama Roberta TREMARELLI yarashimye cane ivyo bikorwa vy'urukundo, yongera anasaba urwaruka kwama rwibuka gusabira urundi rwaruka rwo kw'isi yose.

Musenyeri Bonavantura NAHIMANA, yarakengurutse urwo rugendo Mama Roberta TREMARELLI yagize aha mu Burundi, akanatuzanira indamutso ya Nyen'Ubweranda Papa Fransisko, agasaba ko abasanzwe bafasha muri ico gisata c'imikangara y'Imana bobandanya basahiriza biboneka kuko igitigiri c'abana bagowe kiguma ciyongera.

Bukeye kw'igenekerezo rya 6 Nzero, Mama Roberta yaciye abonana n'imikangara y'Imana hamwe n'abaserukira ubutumwa bw'ibikorwa vya Papa muma diyoseze agize Ekleziya y'i Burundi. Iyo mibonano yose yabera mu nyubakwa z'Abepiskopi ziri i Kiriri Bujumbura.

Ni kuri uwo musi nyene wa 6 isaha icumi n'imwe n'iminota mirongo itatu, aho abungere bose b'Ekleziya yacu baca bahezagira icibutso ca yubile y'imyaka 50 ubutumwa bw'imikangara y'Imana butanguye muri Ekleziya y'Uburundi. Ico cibutso kikaba cubatswe impande y'Ingoro y'Imana ya Paroisse St Michel, ari naho hatanguriye ubwo butumwa bw'Imikangara y'Imana.

Tubamenyeshe ko Mama Roberta TREMARELLI yagendeye Uburundi mu ntumbero yo kwifatanya n'Imikangara hamwe n'Ekleziya y'Uburundi mw'iyugururwa ry'umwaka wa yubile y'imyaka 50, ubutumwa bw'Imika-ngara y'Imana butanguye mu Burundi.

**Chanel HARINGANJI**

# Ubwenge buhanitse bw'ubuhinga bwa none n'amahoro

Mu ntango z'uyu mwaka mushasha w'imigisha umwe wese agabiwe n'Umukama, nashaka gushikiriza indamutso y'amahoro igihugu c'Imana, ibihugu vyose, abakuru b'ibihugu n'Amaleta, abaserukira amadini n'abashinzwe kwunganira imibano y'abantu, hamwe n'abantu bose, abagabo n'abagore ba none.

***1. Iterambere ry'ubumenyi n'ubuhinga nk'inzira iroresha ku mahoro.***

Inyandiko nyeranda ziratumenyesha ko Imana yagabiye abantu Mutima wayo ngo baronke « ubwitonzi, ubwenge n'ubumenyi bwo gukora ibikorwa bitandukanye » (Ihunguka 35, 31).

Ubwenge ni ikemenyamenya c'agateka kadasanzwe twagabiwe n'Umuremyi yaturemye ku gashusho kiwe (Amamuko 1, 26 ) akaduha gurtyo gushobora kwitura urwo rukundo tubizi kandi ata gahato.

Ubumenyi n'ubuhinga biragaragaza, ku buryo vyisangije, uruhara rukomeye ubwenge bufise mu gufasha cane abantu kumenya kwunga imigenderanire.

Ubumenyi n'ubuhinga ni ivyamwa vy'agatangaza vy'ubwenge bwa muntu bwama burondera gushika ku bintu bishasha uko bukeye uko bwije. Uko kuri ni ko dusanga mu nyigisho y'Inama nkuru y'Umuryango w'Ekleziya yabereye i Vatikano ubugira kubiri mu nyandiko yise Akanyamuneza n'umwizero (Gaudium et spes). Nkako irashimangira uko kuri mu kwemeza icese ko «umuntu, ku bw'igikorwa ciwe n'ubukerebutsi, yamye arondera guteza imbere ubuzima bwiwe » (GS 1) .

Igihe cose abantu bagerageza gutunganya isi bafashijwe n'ubuhinga kugira ngo icike uburaro bw'iteka bubereye umuryango w'abantu, baba bariko bakora bisunze umugambi w'Imana kandi barondera ko ishaka ryayo ryoranguka no mu vyaremwe vyose, gutyo n'amahoro akaboneraho gukwira mu bantu bose.

Uko ni ko n'iterambere ry'ubumenyi n'ubuhinga, igihe cose rifasha gutunganya neza imibano y'abantu, rigakomeza umwidegemvyo n'ukunywana hagati yabo, bituma umuntu yisununura mu kwishira n'ukwizana kwiwe no mu bunywanyi bw'abavukanyi; ivyo vyose bigashikana k'ugukuza umuntu n'ukuryohora isi.

Ntitworeka guhimbarwa no gukenguruka intambwe idasanzwe mw'iterambere ry'ubumenyi n'ubuhinga. Nkako ryaje ritorera umuti amabi atari make, ahanze abantu, uravye amakuba barimwo.

Turabona yamara ko naho ubwo bumenyi n'ubuhinga biha ubushobozi umuntu ngo atunganye ivyaremwe, ntitwokwibagira yuko bimwe muri vyo bishobora gutera ibibazo muri kazoza k'abantu no kugeramira inzu yacu rusangi.



Iterambere riteye igomwe tubona mu bumenyi n'ubuhinga bwa none bwo guhanahahana amakuru, rituronsa uburyo bw'agahore kandi buhimbaye cane, naho butera impungenge kubera inkurikizi zibonekeza hageze kuremesha ubutungane n'umubano mwiza mu bantu.

Ni naco gituma ari nkenerwa kwubahuka kwibaza bimwe bimwe vyihutirwa. Mbega ni izahe inkurikizi za hagufi n'iza kure zoba ziri muri ubwo buhinga ngurukanabumenyi bwa none? Ubwo buhinga bufise izahe nkurikizi ku buzima bw'abantu n'imibano, ku mutekano hagati y'ibihugu hamwe n'amahoro?

***2. Kazoza k'ubwenge buhanitse bufatiye k'ubuhinga bwa none gashishiriye umwizero n'impungenge.***

Iterambere mu buhinga ngurukanabumenyi bwa none rimaze igihe ryibonekeza muri iyi myaka ryarahinduye vyinshi mu buzima bw'imibano y'abantu muri rusangi no mu nkingi zabwo.

Ivyo bikoresho bishasha ngurukanabumenyi birahindura itunganywa n'ingendo yo guhanahahana amakuru, ugutunganya ivy'intwaro, ivy'inyigisho, ivyo kwibeshaho, ivy'imigenderanire mu bantu eka no mu zindi mpande zitandukanye z'ubuzima bwa misi yose.

Bisubiye kandi, biribonekeza neza ko mu gukoresha, ku bwinshi, ubuhinga butandukanye burimwo iminyuro myinshi yuzuzanya, abahinga barashobora gusokora ba-gatora ivyo bakeneye kugira ngo binjire mu rubuga, mbere bagenzure ivyo abantu bamamwo canke bakorerayo bijanye n'imigenderanire hagati yabo.

*Inyigisho umuvyeyi Papa Fransisko ashikirije ku musi ugira uwa 57 wahariwe amahoro kw'isi yose*

**Biracaza**

**Ndongozi y'Uburundi**

# « Twubake umushinge w'imbonakazoza y'Uburundi 2040 na 2060 duhereye ku guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu »

23. Kuva mu bukene, birashoboka cane mu gihugu cacu, kuko ivya nkenerwa vyose birahari kugira ngo iryo hangiro turishikeko.

None ko dufise isi ndimwa nziza imera imbuto zose, tukagira imvura igwa ku rugero rwiza mu kiringo kinini c'umwaka, mu ci tukaba dufise amzi yiburuka mu mibande no mu migezi ;

Igihugu kikaba gifise ubutunzi bwinshi bw'amabuye y'agaciro, Abarundi bakaba ari abantu b'incabwenge, ba-kunda ibikorwa n'amahoro, mwumva icotuzibira cova he? Ni umugambi ushoboka, ariko kandi ni igikorwa gifata umwanya n'ubwitonzi, gisaba kwihangana no kugira urunani mu bikorwa vy'iterambere.

24. Ba sokuru barayamaze bati : « Ushaka umubira abira akuya », kandi, « uwushaka umuce acika ijoro ».

Kugira igihugu cigaba kikigaburira kandi giteye imbere, ntitubironka nk'amana akoroka ava mw'ijuru, ntibizodusanga aho twicaye tureze amaboko. Dutegerezwa gukora twivuye inyuma, twigore mu bigoye, turuhe ariko tuzi ico duharanira ku miryango yacu n'igihugu.

25. Turumva hirya no hino imvugo n'ivyitwazo vya bamwe bamwe baca inkokora abashashaye iterambere, ngo umugambi w'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060 ni indoto kubera umuyagankuba udakwiye ; ngo nta mabarabara ateye imbere dufise, ngo nta buryo bwo gutangura imigambi dufise, n'ibindi, bakibagira ko ata wuvuka rimwe ngo yuzure ingovyi kandi ko bukebuke bushikana umusiba ku mugezi.

Ibintu biraronderwa : ivyo vyose biri mu vyo tubwirizwa kwihatira muri iyi myaka ya hafi.

26. Indongozi nizibisigurire abo zirongoye kugira amakenga bafise ahere, kuko benshi bishwe n'ukutamenya.

Abarundi bose nibamenya ko intumbero dufise ari iyo gukora tukagwiza umwimbu, umwe wese agakora neza ivyo ashoboye kandi vyunguka, ubuzima bw'abenegihugu bugatera imbere, mu myaka mikeyi gusa tuzosanga twashitse kuri iryo hangiro twipfuza ry'igihugu cifashe kandi giteye imbere.

*Ibikur. urup. 8*

# « Umwana wese yabatijwe ni umutumwa wa Yezu Kristu mu Burundi no kw'isi yose »

*(Bitangurira ku rup.3)*

Niko, ubwo butumwa burangurwa n'abana, ariko na bo barungikwa n'abavyeyi bagashigikirwa n'indemesha. Nico gituma n'abo bavyeyi n'indemesha tubakengurukira, tukongera tukabasabira gukomera kw'ibanga ry'ubukristu n'ubuvyeyi, no kwitangira ubutumwa bwo kumenyesha hose Inkuru nziza ya Yezu Kristu.

N'ubu tubateye akamo, bavyeyi namwe ndemesha, ngo mubandanye mushigikira ubutumwa bw'Imikangara y'Imana mu kwitaba ibikorwa bitegekanijwe muri uyu mwaka wa mana mu kwitaba ibikorwa bitegekanijwe muri uyu mwaka wa ubile. Ivyo bikorwa na vyo i ibi :

- Gutegekeniriza abana bose igitabu ca Bibiliya kiri ku rugero rwabo, twise : « Gukundisha abana Bibiliya Nyeranda » ;
- Gutunganya inyigisho, amafungo n'ingendo nyeranda ku mikangara y'Imana, ku ndemesha no ku bibutsamana babo;
- Gutunganya ibiteramo n'isabukuru y'abana, bishimikiye kuri Bibiliya;
- Kwubaka icibutso ca Yubile ;
- Guhimiriza no gukundisha abana ishure n'ibikorwa vyo gushigikirana n'ivy'iterambere ;
- Gutegekanya umunsi uhariwe gusabira abana no guhimiriza kubakingira ihohoterwa iryoa ari ryo ryose.

Mu gusozera iri jambo, turasubiye rero gutera akamo nka kumwe Papa Piyo wa 10 yatera abakristu bose mu mwaka w'1913, avuga ati : «Twipfuza ko abana bose b'abakatolika bokwinjira mu butumwa bw'Imikangara y'Imana, kugira baharonkere indero nziza n'inema nyinshi Imana izoshungururira mu ngo z'abavyeyi babo ».

Iyo nyigisho ya Papa itwibukije ko twahimbaje umwaka wa Yubile y'imyaka iheze Inkuru nziza ishitse mu Burundi, tumurikiwe n'icivugo gishimikiye ku ruhara rw'urugo mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu

None rero, twebwe Abungere banyu, turahamagariye abavyeyi bose gutsimbataza umutima w'ukumenyesha Inkuru nziza mu bana babo kugira ngo n'abaja kumenyesha Inkuru nziza mu makungu, bongerekane.

Umuvyeyi wacu Bikira Mariya, Umugabekazi w'Abatumwa akaba n'Inyenyeri iboneshereza abamisiyonari, natubere mu ngoro, ngo duhimbaze neza iyi Yubile y'ubutumwa bw'Imikangara y'Imana muri Ekleziya yacu y'i Burundi

Bigiriwe i Bujumbura, kw'igenekerezo rya Kigarama rya 4 kigarama 2023.

Abungere banyu b'Ekleziya gatolika y'I Burundi.

***Ndongozi y'Uburundi***

# « Twubake umushinge w'imbonakazoza y'Uburundi 2040 na 2060 duhereye ku guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu »..

*(Bitangurira ku rup.7)*

27. Ko turi mu ntango y'umwaka, ni akanya keza ko guhamagarira abakozi bo mu bisata vy'igihugu, abikorera ivyabo, abakorera mu bindi bihugu mbere bamwe bafiseyo ubwenegihugu, abanyagihugu bose ngo baterere muri uwo mugambi w'2040 n'2060, umwe wese akore ico ashoboye, ashiremwo n'akigoro.

Uno musi ni igihe ciza co kwirimbura, tukaraba ivyo tumaze gukora muri iyo ntumbero; tukaraba ko turi ku kivi koko, tuzirikana ko umwanya utakaye utagaruka, kandi ko ikivi ari ica kare.

28. Uno musi wa mbere w'umwaka, umwe wese yibaze ati: « Ubwo koko ndi ku kivi muri ino mbonakazoza nshasha ? Ndabona ivyo nshoboye guterera canke ndacirondera ?

Erega turamaze kwumva abavuga ko iyo mbonakazoza idashoboka, bagatako bagashaka kuvyinjiza mu mitwe y'abandi ngo babace inkokora.

Mwene abo bantu dusangiye urugendo tudasangiye urubanza. Murabarabira hafi, mubace kure, bashobora kuba ari ba sesankuyoze.

Murabace kure kuko ngo « Usangira urugendo n'uwo mudasangiye urubanza akakuzimiza»; ariko igito gitabwa iwabo, dutegerezwa kubafasha gutahura kugira ngo ntihagire n'umwe asigara inyuma.

Bagenzi,

29. Ndazi ko hatabuze abafise ishaka ariko bakijijanya imitima.

Kugira ngo twitere intege ko umugambi ushoboka, nidufatire akarorero ku bihugu tuzi ko vyaharurwa mu bihugu bikenye mu myaka iheze, ariko ubu bisigaye biri mu bihugu vya rutura.

30. Noneho murabizi, ubwenge burarahurwa, uburyo na bwo buraronderwa, eka noneho itunga rirarema !

Iyo ugomba kwiga kwoga mu ruzi canke gutwara indege, ubanza kugira amadidane, hariho ivyo ubanza kubaza canke kurabirako, hanyuma ukavuga uti : « Jeho kuki, mbuze iki ? Hari ibu-ye riri ku mugongo ?»

Ugatohoza neza, ugafata ingingo, ugaca utangura kwisuganya mu buryo bwawe no mu bagenzi kugira urugendo ugiye gutangura ruze rugushikane kuri ca cipfuzo cawe ari yo ndoto yawe.

Erega Izo zibika zari amagi kandi gato karakura, na twe rero tuzokura nk'uko n'abandi bakuze, tuzotera imbere nk'uko abandi bateye imbere, ikibi ni ubunebwe n'ukwikengera.

Barundi, Barundikazi, Ncuti z'Uburundi,

31. Muti none Reta iri ku kivi koko ? Iriko ikora iki ? Ubwa mbere twomenya ko ata gisata na kimwe kidakenewe muri iyo mbonakazoza nshasha.

Hariho vyinshi biriko birakorwa, ariko uno musi dushimikira kuri bikuru bikuru, ido n'ido mukazorishikirizwa n'abashikiranganji umwe wese mu gisata ciwe.

32. Ubwa mbere ni ugukomeza umutekano kugira abarundi bakora umutima uri mu nda. Tukaba tunezerezwa n'uko abajejwe kwubahiriza amategeko mu gihugu babifashe nka nkama.

Ubwa kabiri n'ugukomeza intwaro ibereye haba mu kugwanya akarenganyo canke kugwanya abanyonora itunga ry'igihugu, abarya canke abatanga igiturire no gutunganya neza ikoreshwa ry'itunga ry'igihugu.

Muri iyo mbonakazoza 2040 na 2060 kandi, dukeneye abantu baciye ubwenge, bafise ubumenyi n'ubuhinga bijanye n'igihe tugezemwo.

Ni co gituma turiko turagwiza amashure n'ibigo vy'ubuhinga n'imyuga, tutibagiye gutunganya inyigisho z'ubuhinga n'imyuga mu mashure yisumbuye na kaminuza, hisunzwe uwo mwitwarariko nyene.

Ibisata buruta ibindi twitwararitse kuko ari vyo nkingi y'iterambere bikaba igisata c'uburimyi n'ubworozi, igisata c'ubutare n'amasoko ntanganguvu, icisata c'inyigisho n'amagara y'abantu.

33. Kugira dushike kw'ihangiro dusangiye urugendo, twaratangu-ye ibiganiro hagati ya Reta n'abagwizatunga, tukaba duheruka guhura ngo duhanahaneivyiyumviro vyodufasha kurangura iyo mbonakazoza yo mu 2040 no mu 2060.

Twaraganiriye kenshi n'urwaruka, kugira turumenyeshe uruhara ruhambaye rufise muri uyu mugambi mushasha, ka-ndi vyaribonekeje ko ruwushigikiye cane.

34. Twarasavye abarwizatunga ngo bemere, bashinge amahinguriro canke amashirahamwe, urudandazwa rwo hagati no hanze y'igihugu rukomere, batange ubuzi, ikori n'amatagisi vyiyongere, bashore mu makungu baronke amahera mvamakungu n'igihugu kihungukire.

35. Twarahagurikiye kandi ibikorwa vyo gukingira ibidukikije, kugira tukingire isi yacu, ibinyabuzima n'ikirere.

Mbere muri uyu mwaka w'2024, tukaba twiteguye kugira ihuriro ku kibazo c'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Turasavye rero n'abagwizatunga ngo batere ibiti aho barangurira imirimo (aho bafise amahinguriro), imiryango na yo itere n'imiburiburi ibiti na bitanu vy'ivyamwa mu ngo zabo.

*Ibik. urup.9*

# « Twubake umushinge w'imbonakazoza y'Uburundi 2040 na 2060 duhereye ku guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu »..

*(Bitangurira ku rup.8)*

36. Muri iyo mbonakazoza nyene, Reta ibandanya kwitwararika gusanura amabarabara kugira urudandazwa rwo hagati mu gihugu rukomere n'abiyunguruza boroherwe, ikaba iriko iritegurira kwubaka ibarabara ry'indarayi rizova Uvinza muri Tanzaniya rigashika i Gitega riciye i Musongati, no gukomeza urudandazwa rwo mu mazi no mu kirere.

37. Nk'uko tubizi, umugambi wose ukorwa n'amahera. Reta iriko iregeranya amafaranga atozwa mu gihugu, ikoresheje ubuhinga bwa none bwo gutanga amakori n'amatagisi, ubu abatangakori 1757 bakaba bararishe bakoresheje ubwo buhinga.

Twobamenyesha ko Umugambi wo gukoresha amahera y'igihugu hakwirikijwe ibikorwa bizwi biba vyarategekanijwe (Budget-Programme) uzofasha cane mw'irangurwa ry'imbonakazoza y'2040 n'2060.

Barundi, Barundikazi, Ncuti zacu,

38. Uburundi n'i umurima wa Edeni, urimwo ubutunzi bwose kama, ku buryo ibintu vyonyene bishobora kubera intambamyi iyo mbonakazoza ntidushike kw'ihangiro vyova mu Barundi bo nyene ubwabo, mu gihe bokwigira sindabibazwa, ntibaje ku kivi canke bagashaka kwankiriza uwo mugambi.

Ikindi cotuma tudashika kw'ihangiro, ni igihe twosamara, tugahendwa n'amahoro asasagaye mu gihugu hose maze tukaryama umukondorazosi, umwansi akatwubira akadusubiza mw'ihumbi.

Iyindi ntambamyi ni Abarundi batigera bumva ko igihugu ari icabo, bakama batoba, banigira mu menshi imigambi canke batega imitego uburongozi bw'igihugu. Mu gihe tutokanura ngo tubateshe imigambi mibi yabo, barashobora kuducereza kw'ihangiro.

39. Ari na co gituma nsubiriye gutera intege zina Murundi wese, iyo mbonakazoza ayigire rwiwe, abone kandi yumve ko afisemwo uruhara kugira ngo ishoboke.

Nkaba nsavye ko hampande yo kurangura imirimo n'imigambi yanyu umwe wese asanzwe akora, muteramira itunga ry'igihugu mu kwerekana uwo wese anyuruza itunga rusangi, agira urudandazwa rwa magendo, adatanga amakori n'amatagisi, tutibagiye gushengeza abo bose batega imitego canke bashaka kwankiriza imbonakazoza yodukura mu bukene ikadushikana kw'iterambere rya twese rirama.

40. None rero imbere yo gusozera, twongere twibutsanye ko amahoro n'umutekano, ari karahara mu ruganda ntibacure.

Mu gihe tutayateramiye, vyotugora gukora imigambi yacu, kuko nta wosomera induru zivuga. Ducungere amahoro n'umutekano, twime amatwi ba sesankuyoze bakwiragiza ibinyoma n'ibihuha mu benegihugu, turwane intambara y'ubukene dufatanye mu nda.

41. Twongere kandi kubamenyesha ko muri uyu mwaka mushasha dutanguye turiko turitegurira rusansuma rw'abantu, inyubako, uburimyi n'ubworozi rutegekanijwe muri myandagaro uno mwaka, kugira tumenye vy'ukuri intambwe duhereyeko urugendo rugana 2040. Turasavye umurundi wese kugamburuka, yishure neza ibibazo bazomubaza kugira ntituzokwubakire ku mushinge udakomeye.

Bavukanyi,

42. Noba ndagwiciriye mpejeje ntahanuye abantu mbona umengo umutima uri mu kirere, bidodomba ko twazibiye iminyuro bahora bacamwo mu kunyuruza itunga ry'igihugu.

Mbere muri bo hari abihaye ingendo yo kwambika ibara ubutegetsi bw'igihugu, ngo bagumure abenegihugu mbere bakiyita ko igihugu cari kibayeho kubera bo. Nibabitegere ko ibihe vyama biha ibindi, ako gatoki kabo kahetamye nibakagorore, bakore, barye ibihezagiye, biciye mu bikorwa vyabo.

Bibuke wa mugani ngo inda ndende ihumira indya ikica akokize. Badahinduye ingendo, bakaguma bashaka gukwegakwega abenegihugu ngo babashigikire mu makosa bakoze, bashobora kuzohaburira n'ivyo bari bafise.

Abakibandanya na bo iyo nzira y'ubunyonyezi, kurenganya no kurya ibiturire, ni barendegere babizi ko akamenyero kica inkware.

43. Ni kuri iyo mpanuro nkoramutima ndangirijeko, nsubira kubipfuriza umwaka mwiza, muwuhimbaze muri mu kanyamuneza ka Noweli n'ubunani, musangire utwo mwateguye ariko muzirikana ko inda utayibwira ico wayihaye, uyibwira ico wayirarije.

Muwuhimbaze kandi mufatanye mu nda, mubumbatiye amahoro n'umutekano; ntimuryame umukondorazosi ngo umwansi ahave abaca mu ryahumye.

44. Icivugo c'uno mwaka mushasha « Twubake umushinge w'imbonakazoza y'Uburundi 2040 na 2060 duhereye ku guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu », nikitubere urumuri twese, kugira umugambi mwiza wo kugira igihugu cigaba kikigaburira mu 2040 n'2060 uze uranguke nk'uko tuvyipfuza.

Imana Mushobora vyose, Segaba w'ibihugu nibahezagire mwese kandi ibane na mwe,

***Umwaka mwiza kuri mwese.***

Murakoze.

***Ndongozi y'Uburundi***

# Uruhara rw'intwaro mu guteza imbere ugufashanya mu benegihugu

Kuva kera na rindi haba mu mahanga canke aha iwacu mu Burundi, hamye hibonekeza umugenzo wo gufashanya no gushigikirana, haba hagati y'ibihugu canke hagati y'abantu ubwabo.

Muri ukwo gufashanya, intwaro itegerezwa kugira uruhara rudasanzwe, kuko ni yo yerekana intumbero n'ingene bitegerezwa gukorwa. Kubera uwo mugenzo mwiza, harashinzwe ndetse n'umusi mpuzamakungu wahariwe gufashanya no ng'aha iwacu mu Burundi uwo musi urahimbazwa.

**1. Ingene ku rwego mpuzamakungu uruhara rw'intwaro mu guteza imbere ugufashanya mu benegihugu rugaragara**

Ishirahamwe mpuzamakungu ONU, ryarerekanye ko abantu bategerezwa gufashanya muri vyose, kandi ko intwaro z'ama reta atandukanye zitegerezwa kubigiramwo uruhara.

Mu rwandiko ryashize ahabona mu mwaka w'2000, ryarerekanye ko gufashanya ari ikintu gihambaye mu buzima bw'abantu. Ugufashanya ni kimwe mu bituma kwidegemvya, kungana imbere y'amategeko, kurekuriranira, no kwubahana bitezwa imbere maze bigatsimbatara.

Uru rwandiko rubandanya ruvuga ko ibihugu bitandukanye bitegerezwa gushira inguvu hamwe kugira intambamyi zo gufashanya zirwanirizwe hamwe, ubutungane kuri bose bugatezwa imbere maze umugenzo wo kubabarana ukiganza mu kibano.

Iri shirahamwe rimaze kubona ingene gufashanya bifitiye akamaro kadasanzwe abantu bo mu bihugu bitandukanye, ryaciye ryemeza ko igenekerezo rya 20 ry'ukwezi kwa kigarama woba umusi wahariwe gufashanya hagati y'abantu. Iyo ngingo yafatiwe mu nama nkuru y'iryo shirahamwe mu mwaka w'2006.

Uyo musi mpuzamakungu rero washinzwe mu ntumbero yo kwibutsa ibihugu bitandukanye ko ata gihugu coba nyamwigendako, haba mu bihe vy'ineza canke mu bihe vy'ingorane, aha bakavuga cane cane mu gihe igihugu kinaka kiba kiri nko mu gihe c'intambara, mu gihe c'ibiza bitandukanye nk'inzara, imyuzurira, umuriro n'ibindi. Muri ivyo bihe vyose duhejeje kudondagura, ibihugu vyofashanya, bigaharanira ko uburenganzira bw'ababibamwo buguma bwubahirijwe.

Ni muri iyo ntumbero yo kubabarana no gufashanya, ishirahamwe mpuzamakungu ryashizeho ndetse n' ikigega mpuzamakungu co gufashanya hari mu mwaka w'2003 mu ntumbero yo gutuza ubukene no guteza imbere abantu cane cane ababa mu bihugu bikiri mu nzira y'amajambere. Gufashanya hagati y'ibihugu bitandukanye gutegerezwa gufatira ku bintu vyinshi ntibihagarara kugutabarana gusa canke guhanahana ivya nkenerwa mu bigize ubuzima bw'abenegihugu.

No gufashanya mu bijanye n'ukwungurana ubwenge, n'ikintu nkenerwa cane kuko ibihugu bitanganya ubuhinga bwo guha ubumenyi abenegihugu bavyo.

Hariho ndetse n 'amategeko mpuzamakungu atandukanye yerekana iryo shaka intwaro z'ibihugu bitandukanye zitegerezwa kugira mu gufasha abenegihugu bavyo kugira ngo babeho neza ndetse no kubitaho mu kubategekaniriza kazoza.

Twotanga akarorero k'ingingo ya 22 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina mu-ntu ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo gutegekanirizwa kazoza.

Uwariwe wese akwiye gutunganirizwa mu bijanye n'ubutunzi, imibano n'imico kama bikenewe kugira ngo yiteze imbere, aronke iteka rimukwiye bivuye ku kigoro k'igihugu n'ugufashanya hagati y'ibihugu kandi hisunzwe uburyo igihugu gifise n'ukuntu citunganije.

Ingingo ya 9 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye amatungo, imibano n'imico kama ivuga ko ibihugu vyegwa n'ayo masezerano bitegekanya uburenganzira bw'umuntu mu vy'ugutegekanirizwa kazoza, hatibagiwe n'ugutegekanya ibizomufasha agize impanuka y'akazi canke ageze mu za bukuru.

Muri iyo migambi yo gutegekanya kazoza n'abakiri bato ntibibagiwe.

Ingingo ya 26 y'amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana ivuga ko ibihugu vyemeje ayo masezerano biba vyemeye ko umwana wese afise uburenganzira bwo gutegekanirizwa kazoza, harimwo n'ugutegekanirizwa icomufasha mu gihe c'impanuka, kandi birafata ingingo zose zikenewe kugira ngo aya mateka aje mu ngiro hakurikijwe amategeko y'igihugu n'ivyo umwana yisabiye canke asabiwe.

Amasezerano ya afrika y'agateka no kubaho neza kw'abenegihugu, amenyesha ko intwaro z'ibihugu bitandukanye zitegerezwa kugira itegeko ugufashanya hagati y'abenegihugu.

Agace ka kane k'ingingo ya 29 y'ayo masezerano, kavuga ko reta igira itegeko ku benegihugu gufashanya hagati yabo, haba mu bihe vy'ineza ndetse no mu bihe vy'umubabaro.

Ibikur. urup. 11

# Uruhara rw'intwaro mu guteza imbere ugufashanya mu benegihugu

(Bitangurira ku rup.10)

**2. Uruhara rw'intwaro mu Burundi mu guteza imbere ugufashanya mu benegihugu.**

Abarundi barayamaze bati nyamwigendako ntarimira impeshi kandi ngo ishiga rimwe ntiryarika. Mu ntumbero yo gufashanya kugira ngo abenegihugu batere imbere, abajejwe intwaro bohimiriza abenegihugu gukorera hamwe mu kurwiza umwimbu, bagafashanya mu gukorera hamwe ibikorwa bibateza imbere, mu kibano, mu guhanahana ibifungurwa n'ibindi vya nkenerwa mu buzima bwa misi yose.

Reta itegerezwa kubigiramwo uruhara, kuko iratanga intumbero y'ingene bitegerezwa gukorwa, ndetse igashiraho amategeko n'amabwirizwa bituma ubwo bucuti hagati y'abenegihugu bose butsimbatara. Mu ntumbero yo gutsimbataza ukwo gufashanya, abifise bofasha abenegihugu bafise amikoro make, kugira na bo batere imbere, baronke ivyo bafungura, ndetse n'ibindi vya nkenerwa bitandukanye.

Uburongozi bw'igihugu, butegerezwa kwama na ntaryo burajwe ishinga no gushiraho ingingo zitandukanye, zituma ugufashanya hagati y'abenegihugu butsimbatara.

Hari mu mwaka w'2018 mu kwezi kwa rusama, aho umunkuru w'igihugu amaze kubona ingene abarundi hariho bamwe bamwe babayeho batitanaho bikwiye,yasohora ibwirizwa no 100/33 ryo ku wa 11 rusama 2018 rishiraho umusi wahariwe gufashanya no gushigikirana bikwiye ku barundi bose iyo bava bakagera.

Na wo ukaba ari umusi wa gatandatu wa nyuma w'ukwezi kwa mukakaro uko umwaka utashe. Mu guhimbaza uyo musi, abatware bo ku rwego rwo hasi barahimiriza abenegihugu bakegeranya ibifungurwa, ivyambarwa n'ibindi bikoresho bitandukanye.

Bivanye n'ingene ivyegeranijwe bingana, igice kimwe gihabwa abafise amikoro make gusumba abandi, ikindi gice kigahabwa abo mu zindi komine ndetse no mu zindi ntara zirimwo abatishoboye abarongozi baba batoye, mu ntumbero yo gutsimbataza uko gufashanya hagati y'abenegihugu.

Kurya Reta itora amategeko atandukanye ashiraho ivyo vyose bituma ubuzima bw'abenegihugu baco bumera neza, n'abenegihugu ubwabo bafise uruhara mukwitanaho, bagafashanya muri vyose, Reta ariko ikama na ntaryo itanga intumbero y'ingene bitegerezwa gukorwa.

Uretse ko abenegihugu bategerezwa gukurikiza intumbero ya Reta mu vyerekeye gufashanya, bategerezwa kandi no kuja hamwe mu kurwanira igihugu mu gihe gitewe n'ibiza. Ibi vyarategekanijwe mw'ibwirizwa shingiro.

Agace ka kane k'ingingo ya 70 y'ibwirizwa shingiro, kavuga ko Reta ishobora gusaba ko abenegihugu bose batabara mu gihe hateye ikiza mu gihugu.

Ntitwokwirengagiza kandi ko Nyen'icubahiro Umukuru w'igihugu yama atunganya inyigisho ku benegihugu zo gukunda igihugu no kukizirikana, kandi bagahamarirwa kwama basenyera ku mugozi umwe.

Kugira ngo abenegihugu bame na ntaryo bafashanya muri vyose, nuko baba bumvikana kandi biyumvanamwo. Musanzwe muzi ko Uburundi bwaciye mu bihe bimwe bimwe vy'ingorane aho ibere ryayaze bagacanamwo, ari na co gituma Reta yashizeho ibwirizwa no 1/022 ryo ku wa 6 munyonyo 2018, rihindura ibwirizwa no 1/18 ryo ku wa 15 rusama 2014, rishiraho umurwi w'igihugu wo gusubiza hamwe no kurekuriranira (CVR).

Uyo murwi washizweho mu ntumbero yo gusubira kugarukana icizere hagati y'abarundi, bamenye ko ari bene mubo umwe, ko ata kamaro ko kwama mu nryane, ahubwo ko ari ugufashanya mu buzima bwa misi yose.

Reta kandi itegerezwa gukingira abenegihugu kuko badakingiwe uko gufashanya ntikwoshoboka.

Mu ntubero yo guhamagarira abenegihugu gufashanya no gukorera hamwe mu kurwiza umwimbu, Reta ihamagarira abenegihugu gukorera mu mashirahamwe.

Ni na co gituma ubu ku mitumba yose igize uburundi hari ama koperative, kandi reta ikabaha n'imitahe yo gukora imigambi yo kwiteza imbere.

Mu gusozera, twomenya ko ibi vyose duhejeje kudondagura, ari ivyerekana utwigoro dutandukanye Reta yagiye irashiraho kugira ngo abenegihugu biyumvanemwo, basenyere ku mugozi umwe mu gufashanya muri vyose, umwenegihugu wese abeho neza kandi yumve ko yitaweho na Reta, ko ashigikiwe kandi yitaweho mu kibano.

Nk'uko icivugo ca Nyen'icubahiro Umukuru w'Igihugu kivuga giti turi hamwe twese birashoboka, nta nkeka ko umugenzo wo gufashanya utsimbatajwe, rya hangiro ry'uko mu 2040 Uburundi bwoba ari Igihugu cifashe, mu 2060 na ho igihugu giteye imbere, tworishikako ata nkomanzi.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Umukuru w'igihugu c'Uburundi yaraye yishuye ku bibazo nkoramutima vy'abenegihugu (ibikurikira)

Mu gihe bivugwa ko hari imiryango iri mu gahinda kubera abasirikare b'igihugu c'Uburundi bariko barwa ku rugamba mu gihugu ca Republika iharanira Demokarasi ya Kongo kuko bagiye gufasha ico gihugu kwivuna abansi, mbere bikavugwa ko hari n'abasirikare banse kuja ku rubuga rw'intambara kuko batinya guhitanwa n'izo ntambara, Umukuru w'igihugu c'Uburundi avuga ati: « Indwano ni urukino rw'urupfu. Umusoda adashaka kurwana nawe uwo si umusoda, akwiye kuja mu banyagihugu basanzwe. Umusoda atinya gupfa nakivemwo».

Nk'uko Umukuru w'igihugu abandanya abivuga, ngo uwo mutima wo kurinda ni nawo bageragezа kureresha ingabo mu gihe bari mu vyigwa vyo kwitegurira kwinjira muri urwo rwego. Ati: «No mu gutegura abashaka kuja mu gisirikare barabamenyereza amagorwa kugira ngo bagire umutima rugabo».

Mu gihe naho bivugwa ko abasirikare banse kuja ku rugamba baciye batahanwa i Burundi mugabo aho bari hakaba hatazwi neza, Evaristo Ndayishimiye, Umukuru w'igihugu avuga ko inzego za gisirikare, kwivuna abansi no gukingira umutekano zifise ingene zikora kandi ko amabanga yazo yose adashobora kugendera ku mugaragaro.

Arongera ati: «Iyo umuvyeyi atumye umwana ati kora iki hanyuma umwana akagambarara, umuvyeyi arashira umwana ku ruhande kugira ngo amuhe indero, amukosore».

### Umugabo ni uwushobora gutunganya urugo rwiwe

Ku kibazo cabajijwe Umukuru w'igihugu ku ndyane zirangwa mu mugambwe CNL w'umushingamateka Agathon Rwasa, inyishu yatanze ni uko umukuru w'uyo mugambwe ngo «ategerezwa kuba umugabo». Ati: «Mu gihe adashobora gutunganya neza umugambwe wiwe, iyo demokarasi ashaka gushira mu gihugu yoyishobora gute?»

Arongera ati : «Baramutse bagumye muri izo ndyane, ubutungane buzokora, kandi iyo bigenze gurtyo, bihora birangira umugambwe wifuse wo nyene ».

Umukuru w'igihugu c'Uburundi Evaristo Ndayishimiye abandanya avuga ko aho tugeze hatari aho kuguma mu ndyane za politike hagati y'imigambwe. Umurundi wese ngo yategerezwa gukura amaboko mu mpuzu akitangira ibikorwa vy'iterambere.

Nk'uko abandanya abivuga, ubu ngo Uburundi buriko burogorora. Atanga akarorero ku mugambi w'ibarabara ry'indarayi uriko urashirwa mu ngiro, amabarabara ahuza intara ngo ariko arubakwa, ingomero z'umuyagankuba zimwe ngo ziriko zirubakwa izindi zamaze gutangura gutanga umusaruro, amazi ngo ariko aragwizwa mu turere dutandukanye tw'igihugu, n'ibindi.



### Imiliyoni 100 niyo ngwati isabwa kuwushaka kwitoreza ikibanza c'umukuru w'igihugu

Itegeko rishasha riheruka gutorwa rizogenga amatora y'abashingamateka n'abakenguzamateka yo mu 2025 n'amatora y'umukuru w'igihugu yo mu 2027 ritegekanya ko uwuzoshaka kwitoreza ikibanza c'umukuru w'igihugu azobanza gutanga ingwati y'amafaranga y'amarundi imiliyoni ijana ( 100 000 000 fbu). Umukuru w'igihugu yabajijwe ko iyo ngingo itoba igamije gukumira abokwiyumvira guhiganirwa ico kibanza.

Evaristo Ndayishimiye yishura ko ayo mahera atari menshi na mba.

Ati: «Naho umuntu yoba atayafise yiwe bwite, nimba yoba yiteze ko azohavura aronka abamutora ngo abe umukuru w'igihugu, ntibobura kumugurana canke ngo bashire hamwe ayo bafise gushika akwize imiliyoni ijana hanyuma azoba subize.

Ivyo uwutobishobora n'abamutora ntabo yoronka, kwoba ari ugutesha umwanya abantu.»

Ku kibazo c'amabarabara adakorwa kandi imodokari zidasiba gutanga amakori n'inzu z'uburaro rusangi zitubakwa kandi umugambi waruguruwe icese, Umukuru w'igihugu avuga ati: «Ababijejwe ni ibinebwe ubundi bwo a-mahera ariho.»

Yamenyesheje ko imiliyaridi zishika 16 ariyo mafaranga y'amarundi ikigo ARB gifise kandi kitariko kirakoresha. Amafaranga nayo yagarujwe mu bunyonyezi bw'igihugu agenewe ibikorwa vy'iterambere rusangi ngo angana 11 491 811 619 fbu.

Ikibazo c'uko hoba hariko hubakwa ibirimba vy'umukuru w'igihugu mu ntara hagati kandi hari ibindi bintu ayo mafaranga yokoze vya nkenerwa gusumba mu buzima bw'igihugu, Umukuru w'igihugu avuga ko ivyo bikenewe cane ngo kuko harakenewe ibibanza vy'iruhukiro, aho umukuru w'igihugu ashobora kwakirwa adasembereye kandi umutekano wiwe ukingiwe.

*Mélance Ndayikeze*